REPUBLIQUE DU BURUNDI
Commission Electorale Nationale Indépendante

CENI

ITANGAZO

Mu ntumbero yo kwandika abazokwitaba mu matora yo mu 2015, Umurwi w'igihugu wigenga ujejwe Gutunganya Amatora, CENI, uripfuza gutanga akazi ko kwandika abazotora.

A) Ibisabwa

Ibisabwa ni ibi bikurikira :

1. Kuba uri umurundi canke umurundikazi akwije imyaka cumi n'umunani canke irenga ;
2. Kuba atakigufatiriye ;
3. Kuba umaze gukora akazi nkako vyoba ari akarusho ;

B) Gushikiriza ibisabwa

Impapuro zisabwa:

1. Ikete ryandikishije iminwe ryandikiwe umukuru w'Umurwi Wigenga Ujejwe Gutunganya amatora mw'ikomine, CECI, ryerekana neza umutumba canke karitiye ya komine wifuza gukoreramwo.
2. Urupapuro rw'umutsindo canke urundi rupapuro rwose rwemeza ubumenyi ufise ;
3. Ikopi y'ikarata karangamuntu ;
4. Urupapuro rw'umwidondoro. (CV)

Impapuro zabifuza ako kazi ziri mw'ibahasha ryugaye, ryanditseko ngo « **Uwifuza akazi ko kwandika abazotora** », zoshikanwa mu biro vy'umurwi wigenga ujejwe gutunganya Amatora mw'ikomine, CECI canke umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu ntara CEPI kuva kw'igenekerezo ry'indwi gushika kw'igenekerezo ry'icumi munyonyo 2014 ; kuva isaha imwe n'igice yo mu gitondo gushika isaha cumi n'imwe zo ku mugoroba.

Abipfuza kumenya neza ibijanye n'ako kazi k'uwuzokwandika abazotora boshika ku biro vy' umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mw' ikomine CECI canke mu ntara CEPI aho bimanitse no ku rubuga ngurukana bumenyi rwa CENI arirwo : www.ceniburundi.bi.

Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 6/11/2014

Amb. Pierre Claver NDAYICARIYE

Umukuru wa CENI

« Ensemble pour les élections démocratiques, libres, apaisées, inclusives et transparentes »

Siège : Commune Ngagara, Q. Industriel, Blv de l'OUA, Rue Nyankoni, Parcelle n° 690/C, B.P. 1128 Bujumbura, Tél : 22 27 44 64, e-mail : burundiceni@yahoo.fr, Site Web : www.ceniburundi.bi